Bibiliya y'Abana

Ishikirije



Yesu atoranya abigishwa cumi na babiri

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: E. Frischbutter; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Yesu yakora ibintu vyiza cane. Yakiza abarwaye, agatanga amahoro mumitima y'abantu bahungabanye kandi yigisha ijambo ry'Imana.

Abantu beshi baraza kuri Yesu kugira ngo abafashe kandi abakize. Yesu ahitamwo gutoranya abantu cumi na babiri muri beshi bamukurikira kugira ngo bamufashe ico gikorwa c'Imana.



Iyo hari ingingo ihambaye ugomba gufata, woba uhora ubanza gusenga Imana? Nico Yesu yakoze! Yesu yagiye k'umusozi ahantu hatekanye maze arasenga se wo mw'ijuru. Yesu arasenga kugeza izuba rirenze.


Kandi Yesu
asenga ijoro
ryose.

Mugatondo, Yesu ahamagara abagenzi biwe. Abari baramukurikiye bose, bamwumviye kandi batamuhemukiye. Muri abo bagenzi biwe, atoranyamwo cumi na babiri ngo bamufashe canke ngo babe intumwa ziwe.

Babiri bambere Yesu yatoranije bari abagabo babiri bavukana, Simoni na Andereya. Bari bahevye ubudandaji bw'ivyo barovye igihe Yesu yabahamagara akabasaba kumukurikira.



Yakobo na Yohana,
abahungu ba zebedayo,
nabo nyene bari baretse
insenga zabo zo kuroba.

Yesu atoranya na Filipo, Barutoromayo, Matayo na Tama, Simoni Zeloti, Yakobo umuhungu wa Alufayo, Yuda mwenewabo wa Yakobo
na Yuda isikariyota
uwahavuye
agura Yesu.



Yesu abigisha ko gukora ico abasaba ari nko kwubaka inzu k'urutare. Ibihuhusi bikomeye ntibizoshobora kuyisambura.

Ariko kutumvira Yesu ni nko kwubaka inzu k'umusenyi. Iyo igihuhusi kije, inzu ica isenyuka.



Amwe mumabwirizwa ya Yesu ntiyari yoroshe gukurikira. "Nihagira uwugukubita urushi, umuhindukirize n'uwundi musaya," Niko Yesu yababwiye. "Mukunde abansi banyu. Abantu barakeneye gufashwa n'Imana kugira ngo babeho nka Yesu."



Yesu yongera kubabwira gusenga mumpisho. Kutiyerekana imbere y'abandi nk'uko bamwe mubakuru b'idini babikora.

Yesu avuga ko Imana
izogaburira kandi
izokwambika abayizera bose.
Nk'uko Imana igaburira inyoni kandi
igaha ubwiza amashurwe n'ivyatsi,
abantu bayo bayizeye ishobora
kubaha ivyo bakenera
vyose.

Uwo musi, Yesu yigisha intumwa ziwe ibintu vyishi. Ahejeje, haza umunyamibembe asaba Yesu ngo amukize.





Yesu yishura uwo munyamibembe: “Ndabishatse. Kira.” Intumwa ziwe zibiraba, imibembe iva kuri uwo mugwayi. Aca arakira. Umwana w’Imana wenyene niwe ashobora gukora ibitangaza nk’ivyo. Intumwa zari

zizi ko zifise muri Yesu Umwami ahambaye.

Yesu atoranya abigishwa cumi na babiri

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Matayo 4-7, Mariko 1, Luka 6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130


Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16